Kirundi

Ikigo c'Ubutungane bwo mu Mibano

Ikigo c'Ubutungane bwo mu Mibano ni iki?
Ikigo c'Ubutungane bwo mu Mibano (CJC) cashizweho na Leta y'Intara ya Ruguru kugirango hatangwe ibikorwa vyo guhuza abari mu mibano kugira abantu bafashwe gutatura amatati yabo bidaciye muri Sentare. Igikorwa cacu ni ica gusa, co mw'ibanga, kinyaruka kandi coroshe gukoresha.

Ni nde akenera igikorwa co guhuzwa?
Igikorwa co guhuzwa ni harya abantu baja hamwe kugira baharire ibituma amatati yaduka.Gifasha abantu bari mu matati kugirango bagire ico bavuga ku biva mu mpari no gutorera inyishu bo nyene ku ngorane. Gitanga uburyo bwo gutorera inyishu amatati bidaciye muri sentare kuko bishobora gutesha umwanya kandi bikazimba. Ikigo c'Ubutungane bwo mu Mibano gitanga akaryo keza k'aho abantu bashobora gutaturira amatati yabo babifashijwemwo n'abahuza babinonosoye.

Ibikorwa vyo guhuzwa ku Kigo c'Ubutungane bitangwa n'umwe canke babiri mu bahuza badafise uruhande begamiye bazogufasha:
• Kumenya inkomoko z'ingorane
• Kwiyumvira uburyo bwo gutorera inyishu ingorane
• Kwiyumvira izindi ngingo
• Gukorera hamwe kugira ngo bashike ku mwumvikano
Abahuza nibo barongora ingene igikorwa co guhuzwa kigenda. Abantu bari mu matati nibo bitorera ico baharira n'ico bashikako.
Abahuza nta ruhande begamira kandi ntibabogama canke ngo batange impanuro zijanye n'ubucamanza.

Ibice birenga 85% vy'ibikorwa vyo guhuzwa birashika ku mwumvikano. Kenshi na kenshi ibikorwa vyo guhuzwa birashobora gutegekanwa ningoga kandi bimara hafi amasaha 2 gushika kuri 4

Ni ayahe matati ajanye n'igikorwa co guhuzwa?
Ikigo c'Ubutungane bwo mu Mibano CJC gishobora kugufasha mu bwoko bwinshi bw'amatati harimwo:
• Amatati yo mu mibano / micungararo ajanye n'ibintu nk'uruzitiro, ugwamo, ibitungwa, ibiti, kwononerwa ivyo umuntu atunze n'inyifato y'abantu.
• Imihari n'amashirahamwe abanwanyi bayo bafitaniye ingorane
• Imigenderanire hagati y'abagize umuryango
• Utuntu duto umuntu atatunganirijwe
• Inama z'abagiriwe nabi
• Ubundi bwoko bw'amatati

Ingene hatunganwa igikorwa co guhuzwa
Ushobora guhamagara inomero yacu ya gusa, kwadika ikete, e-mail canke ukishikira iwacu wewe nyene.

Umusiguzi wo kw'i telefone wa gusa araboneka.
Iyo uhamagaye CJC abakozi bacu babinonosoye bazo:
• Vugana na wewe kuvyerekeye ingorane ufise hanyuma muharire uburyo ushobora kuzitorera umuti wenyene
• Tanga inkuru no /canke kukurungika ku bandi
• Suzuma ko amatati yawe ajanye n'igikorwa co guhuzwa hanyuma ariko bimeze, bazokubaza mu ncamake inkuru zikwerekeye, ingorane zawe n'abandi bantu bari muri izo ngorane.
• Utanze uruhusha, bazorondera abo bandi bantu kugira bategure igikorwa co kubahuza mwese mu gihe ciza.
Ibikorwa vyo guhuzwa bishobora gutegurwa ku murango, ku mugoroba canke mu mpera y'indwi.
Ibikorwa vyo guhuzwa bibera ku Kigo c'Ubutungane bwo mu Mibano i Darwin canke mu kindi kibanza kibereye kiri mu Ntara ya Ruguru.
Inama zo kw'i telefone zishobora gutegurwa.

Aho kubariza
Ushaka izindi nkuru bariza kuri:
Itelefone: 1800 000473
Fagisi: 08 8981 3812
Email: cjc.doj@nt.gov.au

Andikira:
GPO BOX 1722
DARWIN NT 0801

Ishikire wewe nyene:
Inzu igerekeranye igira indwi
9-11 Cavenagh Street
Darwin NT 0800